**Ikigo c'Uburundi kijejwe gutororokanya ibiharuro vy'ubuzima bw'igihugu bifatirwako mu gufata ingingo (INSBU)**
***Ubuyobozi Bukuru***

# Itangazo ku bimenyesha makuru

Contacts
Direction Générale

B.P
1156 Bujumbura
Burundi

Téléphone
+257 22 226 729

Fax
+257 22 222 635

e-mail
ins.burundi@insbu.bi

Site Web
www.isteebu.bi

Date de publication
Le 10 juillet 2023

Prochaine publication
Le 10 août 2023

Direction Technique
De l'INSBU
Téléphone
+257 22 216 735

Service Technique
ESPC

Téléphone
+257 22 275 482

## Igipimo c'ihindagurika ry'ibiciro mu Burundi vy'ivyankenerwa mu miryango : ukwezi kwa Ruheshi 2023.

Dufashe ko umwaka uhera muri Ruheshi 2023, dusanga ibiciro vyo mu Burundi vyiyongereye k'urugero rw'ibice mirongo ibiri na bitandatu n'uduce dutatu kw'ijana (26,3%) ugereranije n'umwaka waheze mu kwezi kwa Ruheshi 2022. Twokwibutsa ko iryo hinduka ry'ibiciro ku masoko yo mu Burundi vyari vyiyongereye k'urugero rw'ibice mirongo ibiri na bitanu n'uduce dutanu kw'ijana (25,5%) mu kwezi guheze (Rusama 2023).

Uko kwiyongera kw'ivyo biciro bikaba ryatewe ahanini n'ibiciro vy'ibifungurwa vyiyongereye kurugero rwa 37,8%

Tugereranije urugero rw'ico gipimo mu kwezi kwa Ruheshi 2022 no muri kuno kwezi kwa Ruheshi 2023, dusanga ibiciro vyiyongereye ku rugero rwa 27,1%. Tukibutsa ko ibiciro vyari vyiyongereye ku rugero rwa 28,9% mu kwezi guheze kwa Rusama 2023.
Ugereranije ibiciro vyo muri uku kwezi kwa gatandatu (Ruheshi 2023) n'ivyo mu kwezi guheze kwa gatanu (Rusama 2023), urugero rw'ivyo biciro vyagabanutse ku rugero rw'igice kimwe n'uduce icenda kw'ijana (1,9%). Tukibutsa ko mu kwezi guheze kwa Rusama vyari ku rugero rw'igice ubusa n'agace kamwe kw'ijana (0,1%). Iryo gabanuka ry'ibiciro muri uku kwezi kwa gatandatu rikaba vyaterwe n'igabanuka ry'ibifungurwa kurugero rw'ibice 3,8%.

| Umwaka | Ukwezi | Igipimo c'ibiciro muri rusangi | | Igipimo c'ibiciro bidahindagurika cane | | Igipimo c'ibiciro vy'ibifungurwa gusa | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | Ihinduka ugereranije n'amezi 12 aheze | Ihinduka ugereranije n'ukwezi Guheze | Ihinduka ugereranije n'amezi 12 aheze | Ihinduka ugereranije n'ukwezi Guheze | Ihinduka ugereranije n'amezi 12 aheze | Ihinduka ugereranije n'ukwezi Guheze |
| 2022 | Ruheshi | 12,6 | -0,5 | 13,5 | 1,2 | 15,1 | -1,3 |
| | Mukakaro | 13,4 | 1,7 | 14,3 | 0,7 | 16,1 | 3,2 |
| | Myandagaro | 14;1 | 1,0 | 15,2 | 2,8 | 17,0 | 0,4 |
| | Nyakanga | 15,0 | 1,7 | 16,1 | 1,9 | 18,0 | 2,5 |
| | Gitugutu | 16,1 | 1,6 | 17,1 | 0,3 | 19,5 | 2,6 |
| | Munyonyo | 17,5 | 5,4 | 17,8 | 2,9 | 22,2 | 9,6 |
| | Kigarama | 18,9 | 1,6 | 18,3 | 2,1 | 24,7 | 1,7 |
| 2023 | Nzero | 20,3 | 3,4 | 18,8 | 0,5 | 27,0 | 5,1 |
| | Ruhuhuma | 21,5 | 1,3 | 19,0 | 0,1 | 29,1 | 1,9 |
| | Ntwarante | 23,2 | 4,6 | 19,5 | 2,0 | 32,1 | 6,6 |
| | Ndamukiza | 24,6 | 3,9 | 19,6 | 1,5 | 34,7 | 4,5 |
| | Rusama | 25,5 | 0,1 | 19,5 | -0,1 | 36,4 | -0,3 |
| | Ruheshi | 26,3 | -1,9 | 19,3 | 1,1 | 37,8 | -3,8 |

**Umuyobozi mukuru w'ikigo INSBU**

**Nicolas NDAYISHIMIYE**